Australian Government

COVID-19 VACCINATION

Inkuru Zijanye na AstraZeneca

Uruking AstraZeneca

Hari isano hagati y'urukingo AstraZeneca n'ingorane idasanzwe ituma amaraso y'ibumba akagira platelet zirihasi (platelet nimwe mu bihimba nyamukuru bigize amaraso). Iyo ngorane y'itwa Thrombosis (ukwibumba kwa maraso) hamwe nibimenyetso vya thrombocytopenia (platelets nke mu maraso) (TTS).

Urukingo rwa COVID-19 rurasabwa gutegwa kubantu bakuze bose. Urukingo rwa Pfizer nirwo rukunzwe ku kwirinda COVID-19 ku bantu bakuze bari munsi y'imyaka 60. Mugabo, abantu bakuze bari munsi y'imyaka 60 barashobora guhitamwo nimba bagomba guhabwa urukingo AstraZeneca. Vugana na muganga wawe kugira agufashe gufata icemezo.

Urukingo rwa AstraZeneca ruhabwa abantu bafise imyaka 60 no kuduga hejuru.

Thrombosis hamwe n'ibimenyetso vya thrombocytopenia (bizwi nka TTS) n'iki?

Thrombosis bisigura imibumbe y'amaraso.

Thrombocytopenia isigura ama platelet ari hasi.

TTS ni ngaruka mbi idakunda gushika, y'urukingo rwa AstraZeneca. Iyo bishitse, irashobora gukomera kandi irashobora gutera ubumuga canke urupfu. TTS ituma amaraso y'ibumba ivyo birashobora gushika mu bihimba bitandukanye vy'umubiri. Iranashobora gutera ama platelet make, ivyo birashobora gutuma amaraso ava. Ntabwo hari isano hagati y'urukingo Pfizer na TTS.

Ni ryari TTS ishika?

Ikesi nyinshi zavuzwe za TTS zashitse hagati y'imisi 4 gushika kuri 42 inyuma yo gucandagwa, kenshi mugihe cugucandagwa dosi ya mbere y'urukingo rwa Astrazeneca.

TTS yoba ikunze gushika kenshi?

TTS ishika gake. Kugeza ubu biravugwa ko vyibasira abantu 1-2 ku bantu 100.000 bahabwa urukingo rwa AstraZeneca COVID-19. Ariko kubatarengeje imyaka 60, igipimo kivugwa ko kiri hejuru kubantu bagera kuri 2-3 kubantu 100.000. Ibigereranyo bizavugururwa uko amakuru menshi aboneka.

Hoba hariho imigwi runaka yoba ifise amahirwe menshi yo gufatwa na TTS?

TTS ikunze gushikira cane abakuze b'abasore naho yavuzwe mu bantu bakuze b'abatama. Ntabwo tuziko hari uburwayi buhambaye busanganywe bushobora gutuma amaraso yibumba. Abashakashatsi bari gukora ipereereza y'ivyo.

Ibimenyetso vya TTS nibihe?

TTS irashobora gutera bimwe mu bimenyetso bikurikira:

- Umutwe ubabaza cane kuburyo ubandanya:
  - ubandanya mu misi 2 canke irenga *nyuma* y'ugucandagwa.
  - udakira n'imiti isanzwe idakomeye y'ukugabanya uburibwe
  - urashobora kwiyongera igihe umuntu aryamye
- Isesemi n'ukudahwa
- kutabona neza
- kuvuga bigoranye
- gusinzira
- igicure
- guhema bigoranye
- kubabara mugikaraza
- kuvyimba mu kuguru
- kuribwa mu gifu ubudahengesha
- utubara twamaraso duto duto munsi yurukoba kure y'aho batey'urishinge.

Nimba wewe canke undi muntu ashikiwe nizi nkurikizi zikomeye nyuma y'ukuronka urukingo rwa COVID-19, ugomba guca uhamagara 000.

Inyungu ziva ku rukingo AstraZeneca zirasumba amahirwe y'ingaruka mbi?

Ego. Inyungu z'ugucandagwa zirasumba amahirwe y'ingaruka mbi cane cane ku bantu bakuze bafise ugushoboka kunini kw'ukurwara cane kubera COVID-19.

Vyongenda gute nimba uri munsi y'imyaka 60 kandi ufise isango ryo kuronka dose ya mbere ya AstraZeneca?

Nimba ufise isango ryo kuronka dose yawe ya mbere y'urukingo AstraZeneca kandi uri munsi y'imyaka 60, yaga na muganga wawe. Azogufasha gufata icemezo co gufata urikingo canke gutarufata.

Ni gute none nimba wararonse dose yawe ya mbere ya AstraZeneca kandi hageze yuko uronka dose igira kabiri?

Hafi abantu bose bagize TTS bamaze gutangwaho amakuru yo kurwara, bagize ingorane inyuma ya dose ya mbere y'urukingo rwa COVID-19 AstraZeneca. Nimba ata ngaruka mbi zikomeye wagize inyuma ya dose ya mbere y'urukingo AstraZeneca, urashobora kugira icizere igihe co gufata dose ya kabiri, naho woba uri munsi y'imyaka 60.

Urukingo rwa AstraZeneca ntagorane rwo tera kubantu bigeze kugira imibumbe ya maraso mugihe cahise?

Nimba waragize ubundi bwoko bw'amaraso kwibumba mugihe cahise, canke ushobora kugira amahirwe mabi yo kugira imibumbe ya maraso, uraca shobora gufata urukingo rwa AstraZeneca. Nta cemezo yuko kuba waragize amaraso kwibumba vyongera amahirwe mabi ya TTS uhejeje guterwa AstraZeneca.

Urondera ayandi amakuru

Nimba ufise ibibazo vyerekeye n'urukingo rwa AstraZeneca, yaga na muganga wawe, genda ku www.health.gov.au/covid19-vaccines-languages, canke hamagara National Coronavirus Helpline kuri 1800 020 080 Urondera ikigo gifasha gusingura hamagara 131 450.